# 93: Yesu, ndacibuk' umusi

1. Yesu, ndacibuk' umusi
Mwiza nakwemereyeko
Kw ari wewe Mana yanje,
Ni vyo nnezererwa cane.

Ref: Mpimbaze, mpimbaze,
Yesu yanyogej' ivyaha;
Anyigisha kumusenga
Bituma mpora nnezerwa,
Mpimbaze, mpimbaze
Yesu yanyogej' ivyaha.

2. Wahejeje kuncungura,
None nd' uwawe Mukiza;
Ni wewe wampamagaye,
Numvis' ijwi ryawe ryiza.

3. Kera nari nahabiye
Kure mu ngeso mbi z' isi,
Maze ndakugarukako,
Ni wewe Mukiza wanje.

4. Nasezeranije Yesu,
Guhora nkor' ivy' ugomba;
Ni nashika no ku mpfiro
Sinzoreka kunezerwa.

Visit us at burundi.indirimbo.com